# **Amategeko** y'Ishuri ya Kominote

## Collaborative. Respectful. Communication.

**Ugukorerahamwe. Ugukorerahamwe. Uguhanahana inkuru, kuganira.**

Ay amategeko akurikira agenga Ishuri ya Kominote yerekana uruhara rw'abavyeyi, abitwaririka abana, abarezin'abakozi bo mu mashuri ya Leta yo muri NSW kugira ahantu abanyeshuri bigira bakorere hamwe, bafashanye kandi bagire urunani.

Dufatana twese neza n'urupfasoni

Dushira imbere ukumererwa neza kw'abanyeshuri bose n'abakozi

**Imyifato itabereye** ntiyigera yemerwa mu mashuri yacu

Dukorera hamwe n'ishuri

### Ivyo ishuri ryacu ritanga

Amashuri ya Leta yo muri NSW ikora kugira akarere keza ku banyeshuri, no ku bantu bose bafasha abanyeshuri kwiga. Tugerageza uburyo bwose kugira ngo umunyeshuri wese amenyekane, ahabwe agaciro kandi yitwararikwe.

Indero nziza kurusha izindi ibaho igihe abavyeyi n'amashuri bakoreye hamwe.

Amategeko agenga ikibano c'ishuri yisunga integuro ya NSW Department of Education 2018 – 2022.



### Ahantu heza ho gukorera

Ni ngirakamaro kw' amashuri ya Leta yo muri NSW akorera ahantu heza, kandi ko abavyeyi n'abitwaririka abana baguma bamenyeshwa ingene abanyeshuri bakora, ingene batera imbere hamwe n'amatangazo y'ishuri.

Abavyeyi n'abarezi b'abana bashobora kwitega ibi bikurikira:

- Guhabwa kaze mvamutima mu mashuri yacu kugira ngo dukorere hamwe dushobore guteza imbere ukwiga kw'abanyeshuri
- Kwumva ibiva mu bakozi b'ishuri mu gihe ciza gikwiye, mu rupfasoni, kandi atagihishijwe
- Imigenderanire yo ku kazi n'abakozi b'ishuri ibera ahagaragara, yubakiye mu kuri no ku kwubahana
- Gufatwa neza. Kwihanganirana hamwe n'ugutahurana birashirwa imbere kubera duha agaciro ubudasa

**Dukora ibishoboka vyose kugira ngo ukwiga kubere mu karere kezano mu bihe vyiza mu mashuri yose ya Leta ya Kominoteya NSW.**




Dushiraho uburyo bwo gukorera hamwe

Twese turafise uruhara

Dukorera hamwe kugira ngo duteze imbere ukwiga kw'abanyeshuri

## Guhanahana amakuru mu mashuri yacu

Abakozi bacu bazorondera umwanya wo kuvugana nawe wisanzuye . Musabwe kwibuka yuko igihe abakozi bacu baba bari mw'ishuri canke bariko barakora ibindi bintu bashobora kutaronka umwanya wo kwishura ibibazo vyanyu ako kanya nyene.



Amashuri yacu na makominote bazokora ibishoboka vyose kugira ngo ivyo babamenyesha mu nyandiko bibe vyumvikana bitahuritse, kandi vyoroshe gusoma. Tubingingira gukoresha email n'ubundi buhinga bwo gutumatumanako amakuru kugira ngo ntimuje kure y'ishuri kandi mugume mumenya ibiriko biraba bigezweho mu kibano c'ishuri.

Ivyo tumenyesha birongora abavyeyi, abitwararika abana, abarezi b'abana n'abanyeshuri bitanga inkuru ngirakamaro ku kugene bashobora gushikiriza ibitagenda neza aha hakurikira: https://education.nsw.gov.au/about-us/rights-and-accountability/complaints-compliments-and-suggestions/guide-for-parents-carers-and-students



## Ukuvugana mu rupfasoni ni uburenganzira

Mu bibanza vyose dukoreramwo abantu barafise uburenganzira bwo kwiyumva yuko bubashwe. Inyifato itemerwa n'ingeso zitemerwa kandi z'agocokoro ntizigira ikibanza mu mashuri yacu ya kominote.

Kugira ngo abanyeshuri bamererwe neza, abakozi n a Kominote mu mashuri yacu biyumve ko bari mu mutekano ntangere, ingingo zizofatwa kugira ngo ingeso n'imyifato bitabereye bihanwe birandurwe burundu. Mu ngingo zizofatwa hashobora kubamwo kubuza abantu kwinjira mu migenderanire n'ikibano c'ishuri, canke na ho igihe izo ngeso zimonogoje, dushobora kwifashisha abajejwe umutekano muri NSW.



## Mu myifato zitabereye hashobora kuba harimwo ibi bikurikira ariko kandi ntibigarukira aha gusa:

- Agasotoro canke ibikorwa vy'iterabwoba, nk'ugukoresha inguvu, ukurwana, inyifato iteye ubwoba canke ukwegerana guteye amakenga
- Imvugo y'agasotoro n'iterabwoba harimwo ikoreshwa ry'ibitutsi, gukwegera abantu mu vy'imibonano mpuzabitsina, ukwanka abantu bifatiye ku rukoba, canke kuvuga ibintu bibi ku bantu canke gukoresha imvugo ikomeretsa abantu
- Kudafata abantu bo mu kibano c'ishuri kumwe kubera ibintu nk'idini bakomokamwo canke kubera ukugendana ubumuga kanaka
- Ukuvugana kutabereye kandi gutesha umwanya

**Ugukorerahamwe.**
**Kwubahana.**
**Uguhanahana inkuru, kuganira.**